Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 72
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu

Email:ndongozi.journal1939@gmail.com
Facebook : Journal ndongozi y'uburundi

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

*Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi. Avenue de la mission n° 06*

*«Jewe ndi wa mwungere mwiza » Jn 10, 11a*

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. WhatsApp 71532337 N°849 15 Gitugutu 2025

# Umunsi mpuzamakungu ugira 99 wahariwe kumenyesha Inkuru nziza ya Yezu Kristu (Ibikurikira)

Imibano rukristu, iremeshejwe n'ukwizigira gukomeye cane, irashobora kuba ibimenyetso bishasha vy'ubuntu mw'isi ya none, aho mu bice «vyateye imbere», yerekana ibimenyetso bikomeye vy'ingene ubuntu bugeramiwe: ivyiyumviro bikomeye bihagarika umutima, ukwigunga no guheba abageze mu zabukuru, ingorane zo kuronka abotabara ababanyi.



Mu bihugu biteye imbere mu buhinga, ukwitwararikana kuriko kurazimangana: twese turashobora guhanahana amakuru ariko tutababaranye. Ubushobozi n'inambu y'ivy'isi bituma twigungirako tukibagira abandi.

Igihe twakiriye Inkuru Nziza, tukayigendera mu mubano, iradusubiza ubuntu, tukaronka ubuzima bwuzuye bw'abacunguwe. Nsubiriye kubatumirira kurangura ibikorwa dusanga mw'ikete rimenyesha iyi Yubile (raba

Soma ku Rup. 5

# Ku ncuro igira 64, Uburundi bwaraye bwibutse Umuganwa Rudoviko Rwagasore yiguze Ukwikukira




Soma ku Rup. 4

*Abakozi ba Ndongozi*

Uwujejwe uruganda:
* *A. Noël NTIRANDEKURA*

Abamenyeshamakuru:
* *A. Noël NTIRANDEKURA*
* *Mélance NDAYIKEZE*
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

Uwujejwe ubuhinga:
* *Chanel HARINGANJI*

Umunyamabanga:
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

Umunyabigega:
* *MSV Nadine HARAGIRIMANA*

Uwujejwe imigenderanire:
* *J. de Dieu NDIKUMANA*

## Ibirimwo

o Yubile y'imyaka 100 mu muryango w'Ababikira ba Mariya wa Schoenstatt....6
o Ubutumwa «Mukama Menyekana»: Igikorwa ca Mutima ubwiwe....7
o Ingene amategeko atagekanya uburenganzira bwo kubaho neza kuri zina kiremwa muntu....8
o Gutsimbataza intwaro ishingiye ku mategeko bisaba guhozako....10

# Idominika ya 29 : *Umwaka C*

## Igisomwa ca mbere: *Ihunga : 17, 8 - 13*

Ivyo dusoma mu gitabu c'Ihunga :

*(Igisabisho gihozako ca Musa kiratsinda abansi)*

Mu gihe Abanyisraeli bari mu gahinga, abamaleki baraja kubatera i Refidime. Musa rero abarira Yozuwe ati: " Dusobanurire abantu, ubajane mugwanye abamaleki ; nanje ejo nzohagarara ku mpinga y'umusozi, nitwaje ya nkoni y'Imana ». Yozuwe agira nk'uko Musa yamubariye nyene, aja kugwanya Abamaleki ; Musa na Aroni na Huri baraduga, baja ku mpinga y'uwo musozi. Maze Musa iyo amanitse amaboko, Abanyisraeli nibo batera baja imbere; ayamanuye naho, abamaleki bakaba ari bo batera baja imbere. Maze, amaboko ya Musa arateba araruha; bafata ibuye, bararimufatira aryicarako; Aroni na Huri bagumya amaboko yiwe, umwe ku ruhande rumwe, uwundi ku rundi: amaboko yiwe araguma gushika izuba rirenge. Yozuwe rero aratsinda Abamaleki, abatsindisha inkota.

## Igisomwa ca kabiri: *2Timote : 3,14-4, 2*

Ivyo dusoma mw'ikete rya kabiri Umutumwa Paulo yandikiye Timote :

Ivyo dusoma mw'ibaruwa rya kabiri Umutumwa Paulo yandikiye Timote :

*(Umuntu w'Imana aca abangukirwa, akagira ibimukwiye ngo akore igikorwa ciza cose)*

Mwananje nkunda cane :
Urazigama ivyo bakwigishije, kuko uzi ko ari ivy'ukuri, ukamenya n'ababikwigishije. Kuva mu buto bwawe, wamye umenya Ibitabu Vyeranda: birashobora kuguha ubwitonzi bugushikiriza ubukiriro kubera ko twemera Yezu Kristu. Icanditswe cose cohejwe na Mutima w'Imana kandi gifise akamaro mu kwigisha, mu guhanura, mu kugorora no mu kurera mu butungane. Gutyo, umuntu w'Imana aca abangukirwa, akagira ibimukwiye ngo akore igikorwa ciza cose.

Ndakwihanikirije imbere y'Imana n'imbere ya Kristu Yezu azocira urubanza abazima n'abapfuye, ndabigusavye kandi kw'izina ry'uwuzoseruka mu buninahazwa bw'inganji yiwe: igisha udahengeshanya abaguteze amatwi n'abakwihoza, hanura, wihanize, uremeshe, mu bwitonzi no mu bwira bwinshi.

## Inkuru nziza*:* Luka : 18, 1– 8

**Alleluya, Alleluya.**

*Dukundanye, Imana iratugumamwo, n'urukundo rwayo rukaba rurangukiye muri twebwe.*

**Alleluya.**

Ivyo dusoma mu Njili nyeranda yanditse Luka :

*(Imana izoburana abayo bayiborogera ijoro n'umutaga)*

Umunsi umwe, Yezu yaciriye abigishwa biwe umugani, kugira abigishe ko bakwiye guhozako gusaba ntibarambirwe, ati : " Habaye mu gisagara umushingantahe atubaha Imana, abantu nabo ntabababare. Muri icogisagara nyene, haba umupfasoni yama kumusaba amubwira ati : "Urantunga umburane, unkize uwiririwa arampama" Aramwankira kabiri, gatatu.

Hanyuma yibwira ati : "Naho ntubaha Imana, abantu sindababababare, uyu mupfakazi arangora, ngira ndamucire urubanza rwiwe, yoye kumena amatwi." Umukama arasubira ati : " Nimwumve i-mvugo y'uwo mushingantahe mubi.

None Imana niyo itoburana abayo bayiborogera ijoro n'umutaga? Niyo yobatevya? Ndababwiye: izobaburana bidahagaze.

Ariko, none aho Umwana w'umuntu azogarukira, mbe azosanga ukwemera kw'isi?

## Tuzirikane ijambo ry'Imana

"***None Imana niyo itoburana abayo bayiborogera ijoro n'umutaga? Niyo yobatevya? Ndababwiye: izobaburana bidahagaze.*** »

Bavukanyi, igisabisho kiva ku kwemera Imana kandi kiraruhura, kikarema umutima mushasha kuko kitwegereza Imana. Mu bihe bikomeye vy'umuntu, mu makuba, iyo yijiriwe, igisabisho nticohara. Muri ivyo bihe rero niho umuntu yokwitura Imana akayisaba. Nivyo twumvise haba mu gisomwa ca mbere canke mu Nkuru nziza.

Ni vyiza rero ko umuntu yosenga atadabukirwa kandi atihebura. Kuko kenshi turakunda kurambwirwa n'ugusenga. Hamwe tukiyumvira ko Imana itatwumva, canke ko isa n'iyatevye kutwishura. Burya iyo twiyumviriye gutyo, nuko

Ibik. urup.3

# Tuzirikane ijambo ry'Imana

tuba twashatse gufata Imana nk'abayitegeka ngo tugirire iki canke kiriya. Naho Imana yoteba kutwishura ni uguhozako.

Iri Jambo ry'Imana, riratwereka ko Imana dusenga yumva kandi yishura. Akarorero Yezu aduhaye k'uyu mupfakazi n'uwo mucamanza mubi, katubwira ko twohozako mu gusaba. Imana ishaka ko twoyigora mu bisabisho vyacu kuko ntitwanka kandi ntiyanka ibisabisho vyacu.

Uwo mupfakazi yarondera ko uyo mucamanza yomutunganiriza, ari mu mugwi w'abantu n'uyu munsi batagira uwubaburanira. Ariko ko yashishikaye aza gutakambira umucamanza ngo amutunganirize, yaratevye araronka ico yashaka. Niko kukwo na twebwe ; ntiduhengeshanye gusaba Imana. Yezu ati : « None Imana niyo itoburana abayo bayiborogera ijoro n'umutaga? Niyo yobatevya? Ndabwiye: izobaburana bidahagaze. »

Uyo mucamanza turumva ko ata co yibanga : mbere no mugutunganiriza uwo mupfakazi ntiyabikoze ku rukundo, yabigize ngo amwikure, abitumwe n'ukwikunda gusa: " N'aho ntubaha Imana, abantu nabo sindababare, uyo mupfakazi ariko arangora, ngira ngo ndamucire urubanza rwiwe yoye kumena umutwe. »

Bavukanyi, abantu sibomana, turazi ko Imana yo ari Rukundo kandi yuzuye ubuntu kuko iburanira abana bayo bayitakambira.

Mu gisomwa ca mbere dusanga mu gitabu c'Ihunguka, turumva ingene Imana yatabaye igihugu cayo mu kugwanya Abamaleki bari babujije abana b'Imana kwinjira mu gihugu cabo yari yabemereye. Umukama ngo aha igihugu ciwe gutsinda abansi kuko Musa, Umusavyi w'Imana yaguma asenga akirije amaboko adatezura. Mbere ngo yari kumwe na Aroni na Huri.

Yezu abwira abigishwa biwe ati: "None Imana niyo itoburana abayo bayiborogera ijoro n'umutaga? Niyo yobatevya? Ndabwiye: izobaburana bidahagaze"

Nuko rero bakunzi b'Imana, ububasha bw'Imana ntibuteba kwibonekeza ku bayisaba bayizigiye kandi bahozako. Iyo turiko turidoga ngo Imana ntitwumva, turiyumvira neza ko bitoba biva ku bisabisho vyacu bisa n'ugutegeka Imana ngo irangure ishaka ryacu. Aho nyene, ntituzi k ico tuba turiko turasaba kiba kibereye canke kiba ari ciza. Nitwame dusaba ubwa mbere ngo duhuze ivyiyumviro n'Imana yo ishaka ko abana bayo baba mu gahimbare, ko ubwami bwayo buvyagira kw'isi kuko ari ubwami bw'ubutungane, bw'ukuri n'amahoro. Ni ubwami bw'urukundo buha iteka n'icubahiro umuntu wese. Ese igisabisho cacu cojana n'igikorwa giserura ukwemera.

None rero muvukanyi dusangiye ukwemera, nka Paulo mweranda: Ndakwihanikirije imbere y'Imana n'imbere ya Kristu Yezu azocira urubanza abazima n'abapfuye, ndabigusavye kandi kw'izina ry'uwuzoseruka mu buninahazwa bw'inganji yiwe: igisha udahengeshanya abaguteze amatwi n'abakwihoza, hanura, wihanize, uremeshe, mu bwitonzi no mu bwira bwinshi.
Amen !

***Patiri Noël Ntirandekura***

# Umunsi mpuzamakungu ugira 99 wahariwe kumenyesha Inkuru nziza ya Yezu Kristu

ku nomero 7-15), mu kwitwararika ku buryo budasanzwe: abakene na ba nta ntege, abarwaye, abageze mu zabukuru, abakumiriwe n'iyi si ishira imbere amaronko no kwinezereza birenze urugero. Maze ivyo tukabirangura twigana Imana: mu kubaba hafi, mu kubagirira impuhwe n'igishika, mu gutunganya neza imigenderanire dufitaniye n'abavukanyi mu vyo babayemwo (Soma Exhort. ap. Evangelii gaudium, nn. 127-128).

Birashika kenshi ko nabo nyene batwigisha kubaho mu kwizigira. Nkako tubiyegereje bitubera akaryo keza ko kubashikiriza urukundo n'impuhwe vy'Umukama. Tuzoboneraho gutahura ko «Umushaha wa Kristu [...] ari Wo mushinge muzima wo kumenyesha Inkuru Nziza» (Soma Lett. enc. Dilexit nos, n. 32) .

Duciye bugufi, tukavoma kuri iryo soko, turashobora rero gutanga ukwizigira twaronse kuva ku Mana (raba 1 Petero 1, 21) , mu gushikiriza abandi uruhoza dukura ku Mana (raba 2 Abanyakorenti 1, 3-4).


Mu Mushaha w'ubuntu n'ubumana wa Yezu, Imana iyagira umuntu wese mu mutima, mu kumukwegakwegera mu rukundo rwayo. «Twarungitswe kubandanya ubwo butumwa : mu kuba ikimenyetso c'Umushaha wa Kristu n'ic'urukundo rwa Data, mu kwitwararika isi yose» (Soma Discours aux participants à l'Assemblée générale des Œuvres Pontificales Missionnaires, 3 juin 2023).

**3. Gukabura ubutumwa bw'ukwizigira.**

*Ibik. urup.5*

***Patiri Noël Ntirandekura***

# Ku ncuro igira 64, Uburundi bwaraye bwibutse Umuganwa Rudoviko Rwagasore yiguze Ukwikukira




Hari ku wa 1 Mukakaro 1962, niho Uburundi bwaronka intahe y'ukwikukira yaharaniwe n'Umuganwa Rudoviko Rwagasore.

**Muti vyagenze gute?**

Mu mwaka w'1956, Umuganwa Rudoviko Rwagasore yagiye kwiga muri kaminuza y'i Anvers mu gihugu c'Ububirigi, ahejeje kwiga yaciye agaruka mu Burundi gutangura urugamba rwa poritike mu gutanguza amashirahamwe yo gukorera hamwe "COOPERATIVE".

Mu mwaka w'1958, Rwagasore yashinze umugambwe UPRONA ari kumwe na bagenzi biwe biganye harimwo Paul Mirerekano na Thade Siryuyumunsi. Uwo mugambwe wemewe n'amategeko igenekerezo rya 7 Nzero 1960.

Rwagasore yarakoranije inama rukokoma y'umugambwe wiwe UPRONA kuva igenekerezo rya 14 gushika 20 Ntwarante 1960. Muri iyo nama, yasavye ko hategerezwa kuba ukwikukira mu Burundi, gutyo urugamba ruba ruratanguye.

Igenekerezo rya 18 Nyakanga 1961 haciye haba amatora y'abashingamateka yari acungerewe na ONU. Rwagasore n'umugambwe wiwe UPRONA barayatsinda ku majwi 80 kw'ijana, uwo bahiganwa "Front Commun" harimwo PDC, uratsindwa kuko waronse ibice 20 kw'ijana. PDC ni umugambwe utashaka ukwikukira kw'Uburundi kuko wari wegereye ababirigi.

Umugambwe UPRONA umaze gutsinda, Umuganwa Rudoviko Rwagasore yarashimiye abashikanye umugambwe wiwe ku ntsinzi, mbere ahamagarira n'abatsinzwe kuja hamwe ngo bakomeze umugambwe kandi bubake igihugu c'amahoro n'iterambere.

Umuganwa Rudoviko Rwagasore ati: « Rwagasore, ati: «Kubaganirira muri iki kiringo numva ari ibintu bimpimbaye. Murarangije gutora, muratoreye Uburundi, abanyu bazobuyobora, murahejeje gushinga ingingo ishorera Uburundi, ibuteza imbere. Ivyo vyose mwabigiranye ubwitonzi, amahoro n'iteka ryinshi.

Iyo abantu bahigiye ku kintu, hama na ntaryo uwutsinda n'uwutsindwa. No mu vya politique ni uko nyene. Uyu musi UPRONA yatsinze, itsinda kuko mwabishatse, mbere igiye gushinga Leta y'Uburundi.

Ariko rero, muri iryo tora, uwatsinze n'uwatsinzwe ni Abarundi basa. Basangiye intara, bakagira umwami umwe. Naho nyene badasangiye umugambwe, Uburundi burabakeneye bose. Ni co gituma, ncuti zanje, intsinzi y'uyu musi atari intsinzi y'umugambwe. Uyu musi hatsinze amahoro, hatsinze iteka n'itekane ry'Uburundi.

Kuko nyene ahatagira ubukuru nyabwo, hatagira iteka ntihagire n'itekane. Ahatagira ubukuru nyabwo ntihaboneka amajambere. Igitsinze uyu musi kandi ni demokrasi y'ukuri, demokrasi nk'uko Abarundi bayumva kandi bayifuza. Namwe murazi ko, ico Abarundi bifuza ari ubutungane bw'ukuri.

Ubu rero ubutigu burageze bw'ukwihweza ibibazo vyerekeye Uburundi. Ivyo bibazo murabizi namwe: Hari ukwongereza itunga ry'igihugu, hari ibiraba amatongo yanyu, hari ibiraba uguteza imbere abatobato n'abakene. Hari ivyerekeye amashule n'ibindi. Tuzogerageza kwitaba ivyo bibazo vyose nk'uko bibereye.

Ico nipfuza cane cane, ni uko umuntu wese aba muri ubu Burundi, yogira ati: Ashiii! Maze umutima ugasubira mu nda. Nshaka ko ata n'umwe yogirirwa nabi, nshaka ko Leta yoba umuvyeyi ahumuriza bose, akabakingira.

Ni co gituma Leta tugiye gushinga itazokwigera igirira imbabazi umuntu azorondera gutera umugumuko mu ntara.

Ndasagasagiye cane incuti n'abagenzi ba UPRONA, ngo berekane ko twatsinze tubibereye. Namwe badasigana mwese mwakoreye umugambwe, nimugwirize incuti mu mugambwe wacu, nimugwane mu nda n'abo mwahora muhiganwa, ntimwishime, ntimushire isoni.

Abategeka umugambwe w'Abadasigana, bazokwereka abari muri wo, ko uyo mugambwe urondera ubupfasoni n'umubano mwiza. Nta na rimwe bazokwemera ko haboneka ishirasoni zityoza iteka ry'Uburundi mu bikorwa no mu majambo.

Ivy'ukugwanira gutsinda mw'itora vyarangiye, hasigaye ineza ya bose. Nidushishikare rero tuyirondere. Umudasigana rero, azoramuka ahagaritse umutima abantu b'akavantara bari mu Burundi, cabure abo bi-

*Ibik. urup.9*

***Chanel HARINGANJI***

# Umunsi mpuzamakungu ugira 99 wahariwe kumenyesha Inkuru nziza ya Yezu Kristu

*(Bitangurira ku rup.3*

Kubera ko ubutumwa bwo gukabura ukwizigira bwihutirwa muri iki gihe, abigishwa ba Kristu nibo ubwa mbere bahamagariwe kwinagura kugira ngo babe "abaremesha" ukwizigira no gusubiza itoto ubuntu mu bantu b'ubu basamazwa kandi baruhishijwe na vyinshi. Kubw'iyo mvo, dutegerezwa gukabura muri twebwe, akarangamutima k'amabanga ya Pasika, igihe cose duhereza Inkuka y'Ukaristiya na cane cane muri ya misi itatu irongora Pasika, yo ntimatima n'isonga vya liturujiya.

Twabatijwe mu rupfu n'izuka vya Kristu biduha urukiza, muri pasika y'Umukama itwugururira ibihe bishasha bizokwamaho.

Turi rero abantu b'ibihe bishasha barangwa igihe cose no gusangira umwizero uva kuri Kristu, kuko muri Kristu «Turemera kandi turazi ko urupfu n'urwanko bidafise ijambo rya nyuma» mu buzima bw'abantu (Soma Catéchèse, 23 août 2017).

Ni co gituma, dufatiye ku mabanga ya Pasika abandanya arangukira muri liturujiya no mu masakramentu twama duhimbaza, tubandanya tuvoma ubukomezi bwa Mutima Mweranda turajwe ishinga no kumenyesha Inkuru Nziza kw'isi yose. « Kristu yazutse kandi aninahaye ni we soko rizima ry'umwizero wacu, kandi ntazodutererana ubutumwa adushinga » (Exhort. ap. Evangelii gaudium, n. 275).

Muri We, turabaho kandi tugashingira intahe uwo mwizero mweranda ari wo « ngabirano n'ubutumwa ku mukristu wese»( La speranza è una luce nella notte, Città del Vaticano 2024, p. 7).

Abamisiyonari b'ukwizigira ni abagabo n'abagore basenga kubera ko « umuntu yizigira ni umuntu asenga», nkuko yavyerekanye Nyenicubahiro Kardinali Van Thuan, we yagumanye ukwizigira mu gihe kirekire c'amakuba yo mu mvuto kubera inguvu yakura mu gisabisho ciwe gihozako no muri Ukaristiya (cf. F.X. Nguyen Van Thuan, Le chemin de l'espérance, Rome 2001, n. 963).

Ntitwibagire ko gusenga ari igikorwa ca mbere co kumenyesha Inkuru Nziza kikaba kandi «ubukomezi bwa mbere bw'ukwizigira» (Catéchèse, 20 mai 2020 ).

Tunagure rero ubutumwa bw'ukwizigira duhereye ku gisabisho, cane cane gishingiye kw'Ijambo ry'Imana ku buryo bwiharije amazaburi ari wo mudiho ukomeye w'igisabisho aho uwuwuhingura ari Mutima Mweranda (cf. Catéchèse, 19 juin 2024) .

Amazaburi aratwigisha kwizigira mu ngorane, gutohoza ibimenyetso vy'ukwizigira no kwamana icipfuzo co «kumenyesha Inkuru Nziza » aho Imana ininahazwa n'abantu bose (raba zaburi 41, 12; 67, 4).

Mu gusenga, tugumana itara ryaka ry'ukwizigira, ryadometswe n'Imana muri twebwe, kugira ribe urubeya runini rumurikira kandi rususurutsa impande zose, harimwo n'ibikorwa n'ibimenyetso biranguka bikabuwe n'igisabisho.

Mu gusozera, ukumenyesha Inkuru Nziza ni urugendo rusangi rw'ibihe vyose nk'uko ari ko karanga k'ukwizigira rukristu (cf. Benoît XVI, Lett. enc. Spe Salvi, n. 14).

Urwo rugendo ntiruranginrana n'inyigisho za mbere z'ukwemera canke n'ibatisimu, ariko rurabandanya n'ukwubaka imibano rukristu biciye mw'iherekezwa ry'uwabatijwe wese ku nzira yo kumenyesha Inkuru Nziza. Mw'isi ya none, kuba muri Ekleziya si ikintu twakira rimwe gusa.

Igikorwa c'ukumenyesha Inkuru Nziza, co gutanga no kwigisha ukwemera gushitse muri Kristu ni « ishimikiro ry'igikorwa cose c'Ekleziya» (Exhort. ap. Evangelii gaudium, n.15 ), igikorwa gisaba isangiramutima ry'igisabisho n'ibikorwa.

Nongeye gushimikira kuri uwo mutima nsangirangendo w'Ekleziya wo kumenyesha Inkuru Nziza, no ku butumwa bw'Ibikorwa vya Papa vyo kumenyesha Inkuru Nziza mu guteza imbere ukwiyemeza kumenyesha Inkuru Nziza kw'ababatijwe n'ugushigikira ama-Ekleziya mashasha.

Ndabasavye mwese, abana, urwaruka, abakuze, abageze mu zabukuru, kwitabira biboneka mu butumwa bwo kumenyesha Inkuru Nziza rusangi biciye mu gushinga intahe kw'ubuzima bwanyu no mu gisabisho, mu kwitanga kwanyu no mu gusabikanya kwanyu. Ndabakengurukiye cane kuri ivyo vyose!

Bavukanyi nkunda, twerekeze amaso kuri Mariya, Nyina wa Yezu Kristu We kwizigira kwacu. Tumuragize iki cipfuzo c'iyi Yubile no mu myaka izokurikira: «Ese umuco w'ukwizigira rukristu woshikira umuntu wese nk'ubutumwa bw'urukundo rw'Imana bwashikirijwe bose ! Ese Ekleziya yokwāma ari icabona kimenyesha iyo Nkuru Nziza mu mpande zose z'isi!» (Bulle Spes non confundit, n. 6).

*Bigiriwe i Roma, ku cicaro citiriwe Yohani Mweranda w'i Laterano, igenekerezo rya 25 Nzero 2025*

*Ku musi mukuru w'ihinduka rya Paulo Mweranda umutumwa.*

Papa Fransisko

**Biracaza**

***Vyahinduwe mu Kirundi n'Ibiro Ndemeshabutumwa bw'Ibikorwa vya Papa vyo kumenyesha Inkuru Nziza ya Yezu Kristu mu Burundi. (Œuvres Pontificales missionnaires /Burundi)***

# Yubile y'imyaka 100 mu muryango w'ababikira ba Mariya wa Schoenstatt

Umuryango w'ababikira ba Mariya wa Schoenstatt, uri mu kanyamuneza kadasanzwe ko kwitegurira guhimbaza yubile y'imyaka ijana uwo muryango utanguye kw'isi yose mu mwaka uza mu 2026 bakaba bawuguruye kw'igenekerezo rya 1/10/2025 ku gwego rw'isi yose.



Imyaka ijana iri hafi kurangira kuva aho umuryango w'Ababikira ba Mariya wa Schoenstatt utanguriye, mu buryo buciye bugufi, hari kw'igenekerezo rya 1/10/1926. Utanguzwa n'umusase-rdoti w'umupaloti Patiri Yozefu Kentenich i Schoenstatt mu gihugu c'Ubudagi.

Uyu musi uwo muryango uratangarira intambwe ugezeko n'ingene Imana yawubungabunze mu rukundo n'ikigongwe vyayo ntangere muri iyo myaka yose umaze.

***Ivyaranze intango y'umuryango w'ababikira ba Mariya wa Schoenstatt***

Mu 1928, umuryango wari umaze kuronka ababikira 110.

Inyuma y'umwaka umwe gusa mu 1929, ababikira barenga 179 bakaba bari bamaze gushinga imibano 25.

Mu 1931, imyaka itanu iheze umuryango utanguye, ababikira ba Mariya wa Schoenstatt bari bamaze gukorera ubutumwa mu mibano irenga 40 mu gihugu c'Ubudagi. Mu kwezi kwa kigarama 1933, ababikira ba mbere barungitswe muri Afrika y'Epfo ari naho havuye ababikira 3 baje gutanguza ubutumwa bwa Schoenstatt mu Burundi mu 1962 bashikira muri Paruwase ya Mutumba Diyoseze nkuru ya Bujumbura.

Mu myaka ikurikira, abandi barungitswe muri Amerika y'epfo mu bihugu vya Brésil, Argentine, Chili na Uruguay.

Iyo ntango nshasha yasaba utwigoro tudasanzwe ariko Imana yarabahezagiye inyuma y'utwo twigoro, haciye hakurikira ugutera imbere kw'umuryango kudasanzwe gutyo inyigisho za Schoenstatt zica zitangura gukwira mu makungu.

Umuryango wamaze imyaka irenga mirongo ibiri (20) utaremerwa na Ekleziya.

Mu 1947 niho Nyenubweranda Papa Piyo wa 12 yemeza imiryango nk'iyo ko yoshingwa muri Ekleziya, uraheza umuryango w'ababikira ba Mariya wa Schoenstatt uba uwa mbere wemejwe n'Ekleziya muri uyo mwaka nyene mu miryango mishasha y'Abihebeye Imana itari imenyerewe muri Ekleziya kuko hari hamenyerewe imiryango y'abahangamana

***Akarangamutima n'akarangabutumwa k'umuryango w'ababikira ba Mariya wa Schoenstatt.***

Ababikira ba Mariya wa Schoenstatt, bipfuza kumenyesha Kristu mu buzima bwabo bwa misi yose, no mu bikorwa vyabo nkuko Bikira Mariya yabigize mu buzima bwiwe.

Ubutumwa bwabo bwa mbere nk'Ababikira ba Mariya wa Schoenstatt ni ubwo gushigikira ubutumwa bw'umuhari wa Schoenstatt muri Ekleziya-Mawe wacu.

Bakora kandi imirimo myinshi itandukanye, bamwe bakora ubutumwa bo nyene, abandi bagakorera hamwe mu bikorwa vyegukiye umuryango, nko mu mashure, amavuriro no mu bigo vy'iterambere ry'imibano.

Kuva ku wa 1 Gitugutu uyu mwaka, baratanguye gushira ku rubuga rwabo ngurukanabumenyi www.s-ms.org amasanamu yerekana ubutumwa bwabo butandukanye bise : "Ishusho y'umwizero".

Ababishoboye murashobora kwirabira ibijanye n'umuryango w'Ababikira ba Mariya wa Schoenstatt kuri urwo rubuga.

Kw'igenekerezo rya mbere uko ukwezi gutashe, hazoshirwa kuri urwo rubuga ireresi y'umwe mu babikira ba Mariya wa Schoenstatt, bava mu mico n'inzaruka zitandukanye kandi bakora imirimo itandukanye.

Ng'aha mu Burundi Ababikira ba Mariya wa Schoenstatt bazokwugurura iyo yubile kumwe n'abaschoenstatt n'umuryango w'abakristu ku musi wa gatandatu igenekerezo rya 18 Gitugutu 2025 ku Musozi wa Siyoni Gikungu mu Nkuka ya Misa y'isaha zitanu (11h).

Uyo musi kandi bazoba baramutse bahimbaza intango y'Umuryango wose wa Schoenstatt n'Insezerano y'urukundo bagiranye na Bikira Mariya atangarirwa gatatu wa Schoenstatt hakaba haheze imyaka 111.

Tubamenyeshe ko umuryango w'Ababikira ba Mariya wa Schoenstatt uri mu migabane yose yo kw'isi, mu bihugu 42, ukaba ugizwe n'abanyamuryango barenga 1.500.

Twobamenyesha kandi ko uyu mwaka wa yubile uzosozerwa kw'igenekerezo rya 20 Kigarama 2026 mu rugendo rweranda rugana agasengero k'Amizero i Mutumba. Kaze murisanze

*Mama Marie Christiane Manirambona*

# Ubutumwa «Mukama Menyekana»: Igikorwa ca Mutima ubwiwe.

Haraciye imyaka 20 hatanguye ubutumwa « Mukama Menyekana » muri Ekleziya y'Uburundi. Ubwo butumwa bwatangujwe na Mama Mariya Luciya Kayandakazi, umubikira wo mu muryango w'Ababikira Bene Tereziya. Intango y'ubwo butumwa, n'intambwe bugezeko, kuri Mama Luciya, ngo ni "icamwa ca Mutima Mweranda we yashatse ko Kristu yimikwa mw'ijambo ryiwe, we Jambo rizima."

***Ubutumwa "Mukama Menyekana" bwatanguye gute?***

Nkuko Mama Luciya Kayandakazi abivuga, ngo haraciye imyaka 20 hatanguye imyimenyerezo yo gusoma Bibiliya. Uburyo iryo shule ryo gusoma Bibiliya ryatanguye ngo ni igikorwa c'Imana nyene. Uwo mubikira ati: «Maze guheza ivyigwa mu mahanga aho nanonosoye Bibiliya, naragarutse mu gihugu c'amavukiro. Umusi umwe, Patiri Mukuru kuri Cathedrale Regina Mundi antumako ngo nje kwigisha abakristu baho. Mu gihe nariko ndigisha, haguma haza akaririmbo muri jewe benshi bamenyereye ngo: «Mukama Menyekana, alleluuuuya, isi yose ikumenye, alleluuuuya…» Ako karirimbo twagumye tugasubiramwo kenshi cane.

Abari muri izo nyigisho ico gihe, barahimbawe cane, gushika aho bagumye bansaba kubaha n'izindi nyigisho. Igihe cose duhuye, kakaririmbo niko twaguma dusamiriza. Gushika aho izo nyigisho zitwa «Mukama Menyekana». Izina ryavuye ngaho. Nanje numva ndabikunze cane, numva Umukama aranciriye inzira yo gushira mu ngiro ivyo nari maze imyaka nonosora hanze y'igihugu. »

***Ubutumwa «Mukama Menyekana» bugeze ku ntambwe iyihe?***

Buhoro buhoro abantu ngo baramenyereye gusoma Bibiriya bafatiye kuco bise "impfunguruzo", no "gusomera Bibiliya kukarago k'umuryango". Abantu benshi ngo barakunze izo nyigisho gushika aho havutse iciyumviro co gushira ivyirwa mu ndinganizo imara amasaha 250, ashobora gukurikiranwa mu gihe c'ukwezi kwose abariko bariga baba mu ndaro, canke bakiga ibisozandwi cumin a bitanu (15 week-end).

Ivyo vyirwa vyo mumwanya ugereranye mu masaha 250 (Ecole de durée moyenne) ngo bihabwa abitegurira kuba abaremeshabutumwa bwa Bibiliya muri paruwase. Nico gituma benshi mu baza muri iryo shule baba barungitswe n'ama paruwase baranguriramwo ubutumwa. Ivyo vyigwa ngo vyatanguye gutangirwa mw'i Banga rya Bukeye mu 2012 bakiyugarana mu gihe c'indwi zine (zihuye na ya masaha 250) aho baronswa ivyigwa ku buryo buramvuye (cours intensif).

Ico gihe ngo hari abagira neza bari bafashe mu mugongo Mukama Menyekana.

Mu nyuma ivyigwa vyaratangiwe kuri paruwase Mikaheli Mweranda i Bujumbura kuko hari abari bashikirije iciyumviro c'uko ukwezi kwose badashobora kukuronka kubera ubuzi n'amabanga baba basanzwe bajejwe. I Bujumbura rero, ivyo vyirwa ngo bitangwa mu bisozandwi cumi na bitanu (15 Week-end).

***Intambwe idasanzwe mu buzima bw'ubutumwa Mukama Menyekana***

Ku wa 30/09/2021 Musenyeri Bonaventure Nahimana, ico gihe yari arongoye Diyoseze ya Rutana yaremereye ubutumwa Mukama Menyekana gukorera ku mugaragaro mu gushira umukono ku ngingo yemerera icese ubwo butumwa muri Diyoseze arongoye.

Kuva ico gihe, ngo ahabera inyigisho hose za Mukama Menyekana, zitangwa kw'izina rya Diyoseze Rutana.

Ng'aho mu Rutana nyene niho hariko harubakwa ishule ryitiriwe Yoronimu Mweranda, ahitwa mu Gitaramuka. Iryo shule ngo rizoba kirumara cane.

Mama Mariya Kayandakaza, umubikira mwene Tereziya, arahimbawe cane n'intambwe ubwo butumwa bugezeko. Ati : « Ubu Mukama Menyekana iriko irakwira hose. Abakristu batanguye inyigisho barashinze ishirahamwe ribegukira kandi rifise n'inzego zikwiye. Ubu hariko haravuka ayandi mashami nk'ishami ry'Abapfakazi Bazigama Jambo w'Imana (ABJI).

Inyigisho zitangwa nazo ziratandukanye kandi zose ziza zikuza umuntu zikamwinjiza mu bunywanyi n'Imana bahuriye mw'Ijambo ryayo. Aho twovuga nk'ivyigwa vy'intambuko 7 zo gusoma Bibiliya, akarago k'umuryango, kwiga Bibiliya ufatiye ku kibazo kihari (mu gihugu, mu kibano canke mu muryango kanaka), kwiga ingene bakoresha Bibiliya mu gusoma ishapuke, n'ibindi.

Tubamenyeshe ko gushika ubu, impapuro zitangwa muri ivyo vyigwa ziri ubwoko bubiri: Abize ishule ry'umwanya ugereranye bahabwa icemezo c'uko bize, citwa Certificat. Abo baca barungikwa kuba abaremeshabutummwa bwa Bibiliya muri Paruwase. Abize ishure ry'umwanya mugufi nabo (Ecole de courte durée) bahabwa urupapuro rwitwa Attestation. Abo nabo ni bamwe baca barungikwa kuremesha ubutumwa bwa Bibiliya mu mibano mitomito bakukira.

Hambavu y'ivyo vyigwa vy'igihe kigereranye n'igihe gito, ngo hari umugambi wo gutanguza ivyigwa vy'igihe kirekire, aho abazokwiga bazohabwa urupapuro rwa kaminuza (Baccalauréat).

***Mélance NDAYIKEZE***

# Gutsimbataza intwaro ishingiye ku mategeko bisaba guhozako

Umwaka w'ubutungane w'i 2025 ushira 2026 ku bashingwamanza b'i Bujumbura n"ab'i Gitega waraye wuguruwe. Hari kuri Matergo Hôtel i Gitega, mu kigo c'ababikira Bene Tereziya ku wa 10 Gitugutu 2025 aho abashingwamanza bari bakubise harazima.



*Abo ni abashingwamanza bakukira inzego z'abashingwamanza b'i Bujumbura n'ab'i Gitega bari mu musi mukuru wo kwugurura umwaka w'ubutungane wa 2025-2026.*

Icivugo c'uyu mwaka ku bashingwamanza b'i Bujumbura n'i Gitega kivuga kiti: «Uruhara rw'umushingwamanza w'umurundi mu gutsimbataza intwaro ishingiye ku mategeko n'ubutungane bwizigiwe na bose ».

Me Pacifique Niyonizigiye, umushingwamanza akaba n'umwigisha muri Kaminuza y'Uburundi, agira ati: ijambo « Intwaro ishingiye ku mategeko n'ubutungane bwizigiwe na bose » ni ijambo rikunze kuvugwa mu biganiro vy'abanyagihugu, ariko kumenya ico risigura vy'ukuri biguma bigoye kubatari bake.

Kubwa Me Niyonizigiye, «Intwaro ishingiye ku mategeko n'ubutungane bwizigiwe na bose », ntibisigura gusa ishirwaho ry'amategeko n'inzego zishinzwe kuyashira mu ngiro. Bisigura nyabuna kwubahiriza amategeko no kwubahiriza uburenganzira bwa zina muntu mu mu pande zose.

Bisigura kandi kwisunga amategeko mu ngingo zose zifatwa, zaba izifatwa n'abajejwe intwaro canke izifatwa n'abajejwe ubutungane.» Uwo muhinga ati: «si ivyo kuvuga rero, ahubwo ni ivyo guharanira, ni umwitwarariko wa misi yose».

**Abashingwamanza bafise uruhara rudasanzwe mu gihugu**

Uwo mwigisha wa kaminuza akaba n'umushingwamanza, avuga ko urwego rw'abashingwamanza rufise uruhara rudasanzwe mw'iyubakwa ry'igihugu gishingiye ku ntwaro ishingiye ku mategeko n'ubutungane bwizigiwe na bose. Ati : « Kubera uruhara rwabo rwo kugwanira, guhanura no guharanira ko amategeko yubahirizwa muri vyose, abarundi bahanze amaso urwo rwego kugira ngo igihugu cubakire mukwubahiriza amategeko muri vyose ».

Nk'uko abivuga, guharanira ko igihugu cubahiriza amategeko ngo bisaba «kwubahuka ». « Abashingwamanza mutegerezwa kwubahuka mukadoma urutoke ku kw'ihonyangwa ry'amategeko mujejwe gukingira. Kumbure rimwe, kabiri ntimuzokwumvirwa, ariko uko muguma mugerageza gusaba ngo amategeko yubahirizwe, haragera igihe inyishu ikaboneka ».

**Umushingwamanza mwiza, agendera akarangamutima kw'umwuga wiwe.**

Urwo rugamba rwo gutsimbataza intwaro ishingiye ku mategeko n'Ubutungane bwizigiwe na bose ngo bisaba ko umushingwamanza aterera agacumu kiwe mugabo akabigira yubahirije akarangamutima kw'umwuga.

Patrick Didier Nukuri arongoye urwego rw'abashingwamanza bakukira sentare isubiramwo imanza ya Bujumbura avuga ko ivyo abashingwamanza bavyitegurira mu gukurikirana ivyigwa vy'ihugurwa mu mwuga.

Niho yibutsa ko icivugo co mu mwaka uheze cerekeza ku ndero mu mwuga hamwe no gukarisha ubwenge, inkingi shingiro ry'umwuga w'abashingwamanza.

Ngo ni muri iyo ntumbero kuva kw'igenekerezo rya 10 Ruhuhuma 2025 gushika kw'igenekerezo rya 25 Myandagaro 2025 hatunganijwe ivyigwa bishika 15, aho cane cane imirwi itandukanye yagarutse ku karangamutima kw'umushingwamanza mwiza, ingendo n'inyifato mu gihe c'ihindagurika mu bijanye n'iterambere rya none, amategeko agenga umwuga n'ibindi.

Intumwa ya Buramatari w'intara ya Gitega muri ivyo birori, yisunze ivyavuzwe na nyakwigendera Nelson Mandela yibukije ko « Umushingwamanza mwiza si uwutsinda imanza zose aburanye, ariko ni uwurwanira igitunganye ».

**Mélance NDAYIKEZE**

# Akanovera k'indero mu mashure yisumbuye kifashe gute?

***Muti none hokorwa iki?***

Abatari bake mu bo twaganiriye mu banyeshure, abavyeyi, abigisha n'abayobozi ku kwego rwa Komine n'intara bagira bati: Harageze ko ubu buryo bwo kwigisha dufise ubu burimburwa maze umwaka wa gatandatu n'uw'icumi ikagaruka, hakimuka uwasuzumwe neza ko abikwiye kandi abigisha bakaronka umwanya witanguye wo kunonosora no gukurikirana abanyeshure neza.

Ngo vyotuma n'ivyo guppfa gusunika abana bimuka mu kivunga bivaho, kuko ngo umunyeshure aheza uw'icenda afise amanota make cane bigatuma no mu kibazo ca reta atamenya ku rugero rushimishije.

Ikintu co guhagurukira muri rusangi ni uko abavyeyi, abigisha, abarezi ku mpande zose, boheba gukoresha imvugo zisubiza inyuma ishaka ry'abanyeshure kuko burya "imbuto itewe niyo imera". Maze indero igasubizwa agaciro mu mvugo no mu ngiro.

Abavyeyi nabo ngo bogerageza bakinanata bakaza baraca ku mashure bagasangira igikorwa n'abigisha maze umwana akabona ko bagize urunani, vyotuma abanyeshure bakurikira neza ivyigwa.

Hari abavyeyi batari bake basunika abana babo ngo bahebe ishure baje hanze kurondera ubuzima. Iciza ngo ni uko abavyeyi bofasha abana babo, maze imbere yo kubareka ngo baje hanze, abo banyeshure babanze baheze ishure, kuko ni ho boba ngirakamaro ku bwabo, ku miryango yabo no ku gihugu nyene.

Abavyeyi bohimiriza abana babo bakamenya ko kuja hanze atari bibi mugabo babanze bige bamenye ibibarariye kuko kenshi bajana ibishobisho batarondeye kumenya ingorane bashobora guhura, ingene bozikingira n'ingene bozivamwo.

Ku vyerekeye ugukoresha ubuhinga bwa none bwo guhanahana amakuru, ishure n'imiryango n'abanyeshure nyene ni baje hamwe bigire hamwe ingene bofashanya kugira ubwo buhinga bube ngirakamaro mu gikorwa c'ishure na rirya n'ibikoresho hamwe hamwe bidakwiye.

Ikindi kibazo ngo ni uko amashengero aguma agwiza amashure ata bigisha bafitiye ubumenyi icigwa kimwe kimwe bakwiye bafise.

Ivyo navyo ngo bigatuma hagwizwa abatangakivi rimwe rimwe batasohokeye kwigisha, bo nyene ubwabo batazi neza ingendo yo kwigisha, maze abanyeshure bakaba aribo bagwa mu mporero kuko badaheza ngo bakurikiranwe neza.

***Mama Concilie Nduwimana***
***Patiri Savin Niyonsaba***

# Ku ncuro igira 64, Uburundi bwaraye bwibutse Umuganwa Rudoviko Rwagasore yiguze Ukwikukira

dasangiye umugambwe, azoba agiriye nabi cane Uburundi, kandi n'uguhanwa azohanwa bimwe bishimitse.

Na yo imihimbiri, ibisuma n'abambuzi, nibamenye ko nibafatwa bazohanwa nya guhanwa. Uburundi ni bwo buhejeje kwitorera, none wumva twokwubahuka kubuhemukira mu gukoresha iteka bwaduteye mu kwihora cabure mu kwishima? Ubukuru twahawe tubwirizwa kubukoresha mu guhûmuriza Abarundi bose, mu kugwiza urukundo n'amahoro mu gihugu cacu.

Abakuru b'umugambwe w'abadasigana, barakwiye mbere gusumba abandi gutanga akarorero k'ugutekanya igihugu, no kukigwizamwo umubano mwiza. Murazi ico twamye tugwanira, twamye tugwanira guteza imbere igihugu cacu. Ni co gituma umugambwe w'abadasigana, utazokwigera wemera uwurondera kuwutesha iryo teka.

Niko umugambwe wanje uratsinze, ariko nta ntsinzi ndemera, ntabonye ko Uburundi bwose buri mu mahoro, mw'ihirwe n'amajambere y'ukuri.

Turakengurukiye abo bose bashaka kudufasha gukorera Uburundi bwacu.

Ico twemereye igihugu ntituzoruhuka tutakigishikirije. Ndashimiye cane Ububiligi bwatureze. Turazi neza ko umuzigo bwahora bwikoreye mu gutwara iki gihugu bugiye kuwutereka ku mutwe wacu. Turazi ico twemeye kandi tuzogikora.

Babiligi mwatureze, nimudufashe mu vyo duteyemwo, ntimutwibagire mu bukene bwacu, maze mudufashe twigumye, duteze imbere Uburundi bwacu nk'uko bibereye.

Tugiye kwishira twizane kuko twakuze, ariko rero tuzokwama twigana abatureze mu vyerekeye ukwubaha no gukundana.

Muzoba muvyibonera, nimwabishima duhimbagwe.

Ndaboneyeho mbere gukengurukira Bwana Dorsenville, umukuru w'intumwa za ONU mu Rwanda n'Uburundi, hamwe na Bwana Gaston n'abagenzi babo, ku vyiza batugiriye cane muri aya mezi duhitiye twitegurira ivy'itora.

Imana nidufashe ituje imbere, maze Umwami wacu Sebarundi, arambe ahangame ku Ngoma. UBURUNDI ntibwigeze bugwa mw'isanganya.

***Patiri Noël Ntirandekura***

# Ingene amategeko atagekanya uburenganzira bwo kubaho neza kuri zina kiremwa muntu

[2]Umuntu wese, umukuru canke umuto, arafise uburenganzira bwo kubaho neza. Ubu burenganzira rero, amategeko mpuzamakungu hamwe n'amategeko y'Uburundi atandukanye, yarategekanije ingene butegerezwa kwubahirizwa.

**I. Ingene amategeko mpuzamakungu ategekanya uburenganzira bwo kubaho neza.**

Kugira tuvugeko umuntu abayeho neza, akenera ibintu vyinshi tutodondagura vyose. Murivyo, harimwo kuronka ibifungurwa, kworoherwa mu kwivuza hamwe no kuronka aho aba. Ni vyo tuja gushimikirako, tukaba tuja kwerekana uko ubwo burenganzira butegekanijwe kuri zinamuntu wese hamwe no kubana.

***I.1 Kuri zina muntu muri rusangi.***

Ubu burenganzira, butegekanijwe mu mategeko mpuzamakungu atandukanye. Aha twovuga:

* nko mw'itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zinamuntu,
* mu masezerano mpuzamakungu mu vy'amatungo, imibano n'imicokama,
* mu masezerano mpuzamakungu yubahiriza agateka k'abana,
* mu masezerano ya Afrika yubahiriza agateka ka zinamuntu n'ak'abenegihugu.

Itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zinamuntu mu ngingo yaryo ya 25 n' amasezerano mpuzamakungu mu vy'amatungo, imibano n'imico kama mu ngingo yayo ya 11, birategekanyako, umuntu wese ategerezwa kuronka ibikwiye bimufasha kubungabunga amagara yiwe n'ay'umuryango, mu ngaburo, mu vyambarwa, mu buraro, mu kwivuza n'ibindi vya nkenerwa, haba mu gihe atagira akazi, arwaye canke akomeye, amugaye, apfakaye, mu gihe atagishobora gukora kubera ubusaza, no mu bindi bihe atagishobora kwitunga kandi bitamuturutseko, kandi akagira n'uburyo bwo kwama yitezimbere mu bimutunga.

Amasezerano ya Afrika yubahiriza agateka ka zinamuntu n'ak'abenegihugu yoyo ashimikira ku magara meza, ku mubiri no mu bwenge.

Nk'uko tubisanga mu ngingo ya 16 yayo,ibihugu vyegwa n'aya masezerano vyiyemeza gufata ingingo zose zikenewe kugira umuntu wese aronke ibimufasha kumererwa neza mu magara yiwe no mu bwenge bwiwe, gurtyo bikingire amagara y'abenegihugu mu kubavuza iyo barwaye.

***I.2 Ku bana***

Uburenganzira bwo kubaho neza burategekanijwe kandi no ku mirwi itandukanye y'abantu, nko ku bana, abageze mu zabukuru, abakenyezi n'abandi. Ariko tuja kwerekana ingene butegekanijwe ku murwi w'abana.

Nk'uko tubisanga mu ngingo ya 6 y'amasezerano mpuzamakungu yubahiriza agateka k'abana, umwana wese afise uburenganzira bwo kubaho neza, akabaho ata nkomanzi. Ibihugu vyashize umukono kuri aya masezerano, bibwirizwa kubungabunga uko bishoboye kwose, ubuzima bw'umwana n'iterambere vyiwe.

Nk'uko bitomorwa n'ingingo za 24 na 27, z'aya masezerano nyene, iya 24 ivuga ko umwana ategerezwa kugira amagara meza, akaronka uburyo bwo kuvuzwa igihe amagara amukitse.

Iyi ngingo ibandanya ivuga ko Reta ikora uko ishoboye kwose kugira umwana akingirwe indwara, bigakorwa mu kuronsa abavyeyi b'abana, inyigisho zerekeye amagara, ingaburo z'abana, akamaro ko kwonsa umwana, isuku ry'umubiri wabo n'iry'abana, tutibagiye n'isuku ry'aho baba, gukingira impanuka abana, kandi bakaronka uburyo butuma izo nyigisho zibagirira akamaro.

**II. Ingene amategeko y'Uburundi ategekanya uburenganzira bwo kubaho neza kuri zinamuntu.**

Amabwirizwa y'Uburundi atandukanye, yarategekanije uburenganzira bwo kubaho neza kuri kiramuntu.

Tuja gushimikira ku bantu bose muri rusangi, no ku bana ku buryo bwiharijwe.

Mu mabwirizwa ategekanya ubwo burenganzira, tuja gushimikira kw'ibwirizwa shingiro, kw'itegeko nomero 100/002 ryo ku wa 5 myandagaro 2025 ryerekeye indinganizo n'ubutumwa bw'ubushikiranganji bugize Reta y'Uburundi hamwe n'itegeko nomero 100/38 ryo kuwa 16 ntwarante 2010 ryerekeye kuvuza abana batarakwiza imyaka 5 ku buntu hamwe no kwibaruka kubuntu ku bakenyezi bibungenze mu mavuriro n'ibitaro vya Reta no mu bitaro n'amavuriro vy'abikorera ivyabo ariko bafitaniye amasezerano na Reta.

Tuja gushimikira ku benegihugu muri rusangi hamwe no kubana.

***II. 1 Kuri zina muntu muri rusangi.***

Ingingo ya 27 y'ibwirizwa shingiro ivugako Reta yitaho mu buryo bwose bushoboka ko abenegihugu baronka

*Ibikur. urup. 11*

# Ingene amategeko atagekanya uburenganzira bwo kubaho neza kuri zina kiremwa muntu

(Bitangurira ku rup.10)

uburyo bukwiye bwo kubaho neza kuri zinamuntu.

Ku bijanye no gufungura, ibwirizwa shingiro ryarategekanije mu ngingo ya 17 ko Reta ijejwe gukora ivyo abarundi bipfuza cane cane bagakingirwa inzara n'indwara.

Ni muri iyo ntumbero yo gukingira inzara abenegihugu, agace ka 23 k'ingingo ya 40 y'itegeko nomero 100/002 ryo ku wa 5 myandagaro 2025, ryerekeye indinganizo n'ubutumwa bw'ubushikiranganji bugize Reta y'Uburundi, kavuga ko mu vyo ubushikiranganji bw'ibidukikije, uburimyi n'ubworozi bujejwe, harimwo gufasha abenegihugu kugwiza umwimbu, muguteza imbere ibiterwa mbumbarugo, no kubungabunga ibitungwa mu kubikingira indwara, kugirango abenegihugu baronke ivyo bafungura bikwiye.

Ku bijanye n'uburaro naho, iryo tegeko nyene riravuga mu gace ka 26 k'ingingo ya 41, ko mu butumwa bw'ubushikiranganji mu vyobujejwe harimwo inyubako, harimwo gutegekaniriza abenegihugu uburaro, no gushiraho imigambi yo kurwiza uburaro bw'abenegihugu muri kazoza.

Ubwo bushikiranganji burafise kandi ubutumwa bwo kwama buraba ko abenegihugu bafise amazi meza aho babaye, nk'uko tubisanga mu gace k'8 k'iyo ngingo nyene ya 41.

Nta wovuga kandi ko abenegihugu babayeho neza mu gihe amagara yabo atifashe neza.

Ni muri iyo ntumbero agace ka 6 k'ingingo ya 43 ya rya tegeko duhejeje kubabwira ryerekeye ubutumwa bw'ubushikiranganji bugize Reta y'Uburundi, kavuga ko mu butumwa ubushikiranganji bw'amagara y'abantu bufise, harimwo kwama buriko burakurikirana ko abenegihugu bafise amagara meza.

Agace k'8 na ko kavuga ko ubwo bushikiranganji butegerezwa kwama buriko buratunganya imigambi yo gutezimbere no gukingira amagara y'abenegihugu.

### *II.2 Ku bana*

Ku vyerekeye uburenganzira bwo kubaho neza ku bana,Ibwirizwa Shingiro ryarategekanije mu ngingo ya 44 ko, umwana wese afise uburenganzira bw'ukubungabungirwa amagara ndetse n' umutekano vyiwe.

Umwana amaze gusamwa, abaho neza mu mbanyi y'umuvyeyi, iyo amagara y'uwo muvyeyi akingiwe.

Itegeko nomero 100/38 ryo ku wa 16 ntwarante 2010 ryerekeye kuvuza abana batarakwiza imyaka 5 ku buntu hamwe no kwibaruka ku buntu ku bakenyezi bibungenze mu mavuriro n'ibitaro vya Reta no mu bitaro n'amavuriro vy'abikorera ivyabo ariko bafitaniye amasezerano na Reta, riratekanya mu ngingo ya mbere ko umuvyeyi ategerezwa kugirisha ibipimo vyerekana uko amagara y'umuvyeyi n'umwana ari mu mbanyi yifashe, kandi ntarihishwe.

Umwana amaze kuvuka, ategerezwa gucandagwa kugira akingirwe indwara zitandukanye zishobora kubangamira amagara yiwe.

Nk'uko tubisanga mu kigabane ca 3 c'igitabu cerekana ibikorwa vy'umugambi w'igihugu wo gucandaga abana uri mu bushikiranganji mu vyo bujejwe harimwo amagara y'abantu, abana bategerezwa guhabwa n'imiburiburi incanco 6.

Vyongeye, iritegeko riravuga mu ngingo yaryo ya 3 ko abana batarakwiza imyaka itanu bategerezwa kuvurwa ku buntu.

Tuvuga kandi ko umwana abayeho neza, mu gihe aronswa ibifungurwa kandi bikwije ibisabwa, umubiri wiwe ukeneye.

Ni yo mpamvu ingingo ya 289 y'igitabu c'amategeko agenga ingo n'abantu mu Burundi, ivuga ko se na nyina b'umwana aribo bajejwe abana kandi bategerezwa kubarera bakabaha n'ivyo bakeneye hisunzwe uko bangana, bameze n'uburyo abo bavyeyi bafise.

Muri ivyo vyose bakeneye, ingaburo iza imbere ya vyose, duhereye kwonsa umwana kuko nta ngaburo n'imwe isubirira amaberebere.

Mu gusozera, twobamenyesha ko amategeko yaba mpuzamakungu ndetse n'ay'Uburundi, yategekanije ingene umuntu wese yobaho neza.

Reta isabwa gufata ingingo zose zishoboka kugirango zinakiremwa muntu abeho neza, aronke ivyo afungura, yoroherwe mu kwivuza igihe amagara amukitse, aronke aho aba ndetse n'ivyo yambara.

Ku bana, amategeko yarategekanije kandi ingene abaho neza, amagara yabo agakurikiranwa kuva basamwa, no mu gihe bamaze kuvuka, bakavuzwa kandi bakaronswa ingaburo zibereye.

***Ikigo kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »***

# «Dilexi te» ikete rya mbere rya Papa Lewo wa 14

Ku wa 4 Gitugutu 2025, ku munsi mukuru w'umweranda Fransisiko w'i Asize, Papa Lewo wa 14 yarashize umukono kw'ikete «Exhortation Apostolique Dilexi te : Naragukunze » rya mbere kuva abaye umusubirizi wa Petero Mweranda ku wa 8 Rusama 2025.

Muri iryo kete, ahamagarira abakristu kurangwa n'urukundo bategerezwa kwereka aboro, bakareka gusamanzwa n'ivyiyumviro bituma baguma bifumbereje ntibarangwe n'urukundo.

Papa Lewo wa 14 yagaragaje ko kwitaho aboro ari akaranga k'Ekleziya nk'uko Papa Fransisiko yasubiriye yari yabigize ubuzima mu butumwa bwiwe akaba ari nawe yatanguye igikorwa co kwandika iryo kete nawe agaheza akaribandanya.

**Papa Lewo wa 14 atuyagira ibiki muri iryo kete?**

*Dilexi Te ifise ibice bitanu.*

***Mu gice ca mbere [4-15]***

Papa atuyagira amajambo amwe amwe yerekana ko aboro ari abo kwitaho kuko Yezu Kristu yishushanya nabo. (Matayo 25, 40).

Papa akatubarira ko kugira twitwararike aboro dutegerezwa kugira umutima nkuw'Imana kuko itigera yiyibagiza akamo k'umworo.

Imana ihamagarira abayo kwama bitwararika aboro kuko kubiyobagiza ari igicumuro. ( Amategeko 15,9)

Mu nomero 9 na 10 yiryo kete, Papa Lewo wa 14 arerekana aboro abo aribo akongera akavuga ko naho biri uko ukubitwararika no gukora ngo bave muri ubwo bukene bidashemeye.

Ku nomero ya 11 akavuga ko aho gufasha aboro abenshi biruka no kwegeranya amatungo maze umworo nawe akaguma yinjira mu bukene.

Papa aheraheza ico gice ahamagarira abakristu kugaba ngo ntibinjiranwe n'umutima w'isi ukumira aboro. Akabahamagarira gusoma cane Ijambo ry'Imana ribaha umuco ku bijanye no gufasha aboro. (no 15)

***Mu gice ca kabiri : «Imana yahisemwo aboro» [16-34]***

Papa Lewo wa 14 atangura ico gice yerekana ingene urukundo n'ikigongwe vy'Imana vyayitumye iva mw'ijuru ikaza kw'isi kugira ikure aboro mu buja, ibakize ubwoba, igicumuro n'ububasha bw'urupfu.

Inyonga z'ikigongwe vy'Imana n'umutima wuzuye urukundo zahindukiriye ku kiremwa muntu, irakibungabunga mu bworo bwaco. Mu bwuzure bwa kera Imana yigararagaza nk'umugenzi n'umukiza w'aboro. (izaburi 34,7) Imana ni amahungiro y'aboro.

Mu bwuzure bushasha, Yezu yaje yishushanya n'aboro kuva ku kwigira umuntu kwiwe, ivuka, mu butumwa no mu rupfu rwiwe. (18-25)
Abatumwa n'abanditsi b'Inkuru Nziza baradutumirira kugendera inkuru nziza ya Yezu Kristu mu kura-ngura igikorwa co gukunda aboro kuko ukwemera kutagira ibikorwa kuba kwarapfuye. (Yakobo 2,14-17)



Aheraheza ico gice ku nomero ya 34 ahamagarira abakristu kwigana akarorero k'imibano y'abakristu bo mu ntango y'Ekleziya barangwa no kugendera urukundo. Mu rukurikirane rw'imyaka yakurikiye gushika ubu iyo mibano ikaba yarabereye umuco bamwe mu bakristu batahengeshanije kwama ivyamwa bizima mu kurangura neza igikorwa c'ikigongwe n'urukundo.

***Mu gice ca gatatu: «Ekleziya yagenewe aboro» [35-81]***

Muri ico kigabane, Papa Lewo wa 14 aca mu makanda ya Papa Fransisiko yasubiriye, we inyuma y'imisi 3 atowe, mu kiganiro yahaye ibimenyeshamakuru yashikirije icipfuzo ciwe ko ukwitwararika aboro kwogaragara muri Ekleziya Katolika nyoro, igenewe aboro.

Ekleziya ikihatira kurerurura aboro mu marushwa abaremereye mu kobona ko ari Yezu Kristu nyene baremuruye.

Muri ico kigabane, babandanya berekana ko ubutunzi nyabwo bw'Ekleziya ari aboro.

Kuva mu ntango z'ekleziya, ubwo butumwa bwo kwitwararika aboro bwamye bugaragara aho abatumwa bubika ibiganza ku bagabo indwi kugira bitwararike abakene (ibikorwa vy'abatumwa 6, 1-5).

Umweranda Lawurenti akaba yaratanze akarorero kuwategereye ko ubutunzi bw'Ekleziya ari aboro, we igihe intwaro y'abaromani yamusaba kwerekana aho ubutunzi bw'Ekleziya buri yaciye abereka aboro ati :« Abo nibo matungo y'Ekleziya».

Ekleziya ikaba itahengeshanije kurangurira urukundo ku mirwi itandukanye y'aboro kuva mu ntango, ubu no mubihe bizokurikira kugeza k'umuhero w'isi.

*Biracaza*

***MSV M Goreth Ndikumana***